www.assemblee.bi
www.flickr.com/inamanshingamateka

Facebook: Inama nshingamateka
twetter:@nshingamateka

N° 8 - 2017

# INAMA NSHINGAMATEKA Y'UBURUNDI

INAMA NSHINGAMATEKA

Gisohoka rimwe mu kwezi

REPUBULIKA Y'UBURUNDI

## Umukuruw'InamaNshingamatekayararanguriyeibikorwarusangi muri zone ya Ruce





umukuru w'Inama Nshingamateka yaratanze imfashanyo ku miryango y'i gihanga igeramiwe n'inzara.

Soma kurupapuro rwa 8




Icegera ca mbere c'Umukuruw'Inama Nshingamateka yaritavye uruganda rwateguwe na kaminuza y'i Ngozi.

Soma kurupapuro rwa 11



Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka yatanze imfashanyo y'ibifungurwa kubahuna bahuye n'uruzuba mu ntara ya kirundo.

Soma kurupapuro rwa 12

Palais des Congrès de Kigobe
B.P 120 Bujumbura - Burundi Tél: (+257) 22 26 70 55 / (+257) 22 26 70 07

# Abashingamateka b' ikiringo ca 2015 -2020



**Très Hon. Pascal Nyabenda**
**Umukuru w' Inama Nshingamateka**
**Bubanza-Hutu-CNDD-FDD**



**Hon. Agathon Rwasa**
**Icegera ca mbere c' Umukuru w' Inama Nshingamateka**
**Ngozi- Hutu-MizeroY'Abarundi**



**Hon. Jocky Chantal Nkurunziza**
**Icegera ca kabiri c' Umukuru w' Inama Nshingamateka**
**Ruyigi-Tutsi-CNDD-FDD**



Hon. Gloriose AHISHAKIYE
Ngozi-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Asha KHALFAN
Kayanza -Tutsi- Mizero y'Abarundi



Hon .Fabien BANCIRYANINO
Bubanza - Tutsi- Mizero y'Abarundi



Hon. Adolphe BANYIKWA
Bujumbura - Hutu- Mizero y'Abarundi



Hon. Chantal BARAMPAMA
Bujumbura - Tutsi CNDD-FDD



Hon. Josélyne BARANYANKA
Muyinga - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Jacqueline BARANYIZIGIYE
Cankuzo - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Evole P. BASHINGWA
Mairie - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Domitien BAVAKURE
Karusi - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Rémegie BAZIRAHOMPONYOYE
Muramvya - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Ildephonse BIGIRINDAVYI
Muramvya - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Jérôme BIKORIMANA
Bururi-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Simon BIZIMUNGU
Cibitoke - Hutu Mizero y'Abarundi



Hon. Pascal BIZUMUREMYI
Ruyigi - Hutu-Mizero y'Abarundi



Hon. Renate BUKURU
Ruyigi- Hutu-CNDD-FDD



Hon. Adolphe NTAHONDEREYE
Mairie - Twa



Hon. Aloys NTAKIRUTIMANA
Cibitoke-Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Obed NTAKIYIRUTA
Rumonge - Hutu-Mizero Y'Abarundi



Hon. Emmanuel NTEZUKOBAGIRA
Bururi - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Ruth NTIBASHAKWA
Cibitoke - Hutu-NDD-FDD



Hon. Gregoire NTIMPIRANGEZA
Gitega - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Gaudence NTIRANDEKURA
Mwaro - Tutsi-Mizero Y'Abarundi



Hon. Gabriel NTISEZERANA
Bubanza-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Adrien NYANDWI
Kayanza - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Claire NYANDWI
Makamba - Tutsi-Mizero Y'Abarundi



Hon. Nestor NZEYIMANA
Kirundo-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Séraphine NZEYIMANA
Rumonge - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Révérien NZIGAMASABO
Kirundo-Hutu-CNDD-FDD



Hon. J. Baptiste NZIGAMASABO
Kirundo-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Consolate NZIGAMISONI
Cibitoke - Tutsi-Mizero Y'Abarundi



Hon. Benigne RURAHINDA
Mairie-Hutu-CNDD-FDD



Hon. James SAMAGORWA
Cibitoke-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Eric SINDAYIGAYA
Mairie-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Sylvestre SINDAYIHEBURA
Gitega - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. J. Pierre SINZINKAYO
Bujumbura-Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Vincent SUKUNOBA
Gitega - Twa



Hon. Anicet TUYAGA
Mwaro - hutu-CNDD-FDD



Hon. Ibrahim UWIZEYE
Muyinga - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Léocadie YAMUREMYE
Kirundo - Tutsi-CNDD-FDD

# UMUKURU W'INAMA NSHINGAMATEKA YARARANGURIYE IBIKORWA RUSANGI MURI ZONE YA RUCE

Ku musi wa kabiri, igenekerezo rya 3 Nzero uyu mwaka, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal NYABENDA, yararanguriye ibikorwa rusangi muri zone Ruce iri muri komine Rugazi mu ntara ya Bubanza.



Ivyo bikorwa bikaba vyari ivyo guterura amabuye, bayegereza ku kiraro c'uruzi Kagogo cabomowe kuruhande rwo musi n'imvura nyinshi yaguye muri iyo zone. Ayo mabuye akaba ariyo azokora mu kuduza inkingi zizoshigikira ico kiraro. Ivyo bikorwa rusangi bikaba kandi vyari vyitabwe n'Abashingamateka batowe mu ntara ya Bubanza hamwe n'imvukira z'iyo ntara. Mw'ijambo ry'ikaze, Musitanteri wa komine Rugazi Sylvie NIZIGAMA, yamenyesheje ko ikomine arongoye itekanye, kandi ko abenegihugu bari kukivi, bakarangura imirimo yabo itandukanye ata nkomanzi.

Akaba yamenyesheje kandi ko muri zone ya Ruce, ibiti vyinshi biriko biraterwa ku mitumba ihanamye kandi ko abenegihugu bariko barijukira cane igiterwa c'ikawa. Ati ubu ikiri ko kirakorwa cane,ni ukurwanya inzoga zitemewe n'amategeko,muri zone ya Ruce zikaba zarabica bigacika ariko ubu ngo kuva aho abajejwe intwaro babishiriyemwo inguvu, ubu izo nzoga ziriko riragabanuka cane.



Musitanteri Sylvie NIZIGAMA yabandanije avuga ko imvura nyinshi yaguye mu ntango z'ukwezi kwa Gitugutu yatwaye ibitegwa cane cane ivyo mu mwonga igasiga abenegihugu mu kangaratete.

Nayo Bulamatari w'intara ya Bubanza Tharcisse NIYONGABO, yamenyesheje ko ikiyaya c'imbo cane cane muri komine Gihanga, ciziziwe n'uruzuba, ati imvura ntiyigeze igwa, bikaba vyatumye ibitegwa vyuma, ati abenegihugu barageramiwe n'inzara bakaba batanguye gufatwa n'indwara zogufungura nabi.

Akaba yongeye kandi arashimira abajejwe intwaro muri zone ya Ruce ku kungene iyo zone yitunganije cane, agatanga akarorero ka hafi;aho ishirahamwe ry 'abahoze ku rugamba ryo mu Ruce, riheruka kwiyubakira inyubakwa ku mafaranga y'amarundi arenga imiliyoni 30. Akaba kandi yarongeye arashima imigenderanire myiza hagati ya Ekleziya Gatolika n'abajejwe intwaro.

Mw'ijambo yashikirije, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal NYABENDA, yamenyesheje ko yaje kubaramutsa nk'uwo bitoreye, kuko hari haciye igihe ataza, ati rero ni urugendo rwambere agize mu rukurikirane rw'izindi azogira muri iki gihe c'uburuhuko bw'Abashingamateka bwatanguye kuva kw'igenekerezorya 30 Kigarama 2016.

Ati uburuhuko ni igihe ciza kubashingamateka co kugendera abenegihugu babatoye.Akaba yaragarutse kumategeko yatowe n'Inama Nshingamateka mu kiringo kirangiye ca Gitugutu muriyo akaba yagarutse kuri rimwe rikura Uburundi mu masezerano y'i Roma ashiraho Sentare Mpuzamakungu Mpanavyaha.

Akaba yasavye abenegihugu bo mu Ruce kuguma bafatanye mu nda no kureka kwumviriza ubutumwa bubahamagarira gucanamwo buca ku maradiyo n'ibinyamakuru bimwe bimwe, ati abansi b'Uburundi baragerageje kuducanishamwo ati kandi gushika ubu vyarabananiye.

Ikindi yagarutseko n 'ivyerekeye ubutunzi bw'igihugu aho abahora badufasha bakuyemwo akarenge ubu bigasaba ko twibanako, abasaba gushigikira ishirahamwe OBR mu gutanga amakori n'amatagisi hamwe no gutunga

urutoke kubanyonora amatungo ya Leta.

Ku vyerekeye naho inzoga zitemewe n'amategeko, Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yabasavye kuvavanura n'izo nzoga atakindi zibazanira atari kubononera amagara bigaca bituma bataronka inguvu zogukora ngo bateze imbere imiryango yabo. Akaba yabahamagariye kwitaho ibikorwa vy'iterambere, agaruka kuri wa mugambi wo kwiyubakira amasoko kijambere, ati n'isoko ya Ruce igiye kwubakwa, abasaba ko boterera amaboko yabo. Akaba kandi yarongeye gusaba abajejwe intwaro muri komine Rugazi ko boraba bagatangura wa mugambi wo kwiyubakira inzu y'amanama. Nayo kur 'ivyo bikorwa vyo kwubaka ico kiraro ca Kagogo,Nyakwubahwa Pascal NYABENDA akaba yaciye abemerera kubaterera imifuko 30 y'isima.

**Arlette AKIMANA**

# UMUKURU W'INAMA NSHINGAMATEKA YARATANZE IMFASHANYO KU MIRYANGO Y'I GIHANGA IGERAMIWE N'INZARA.

Ku musi wa gatandatu igenekerezo rya 21 Nzero 2017, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal NYABENDA, yaragendeye komine Gihanga yo mu ntara ya Bubanza. Akaba yagiye aherekejwe n'Abashingamateka batowe muri iyo ntara hamwe n'imvukira. Ari kumwe n'abenegihugu b'i Buringa, Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yararanguriye ibikorwa rusangi kw'ishure shingiro rya Ninga ya 2 mu Kigwati ca kane. Ivyo bikorwa bikaba vyari ivyo kuvanga umusenyi, isima hamwe n'urucekeri kugira bategure ibeto yo gusasa mu masomero atatu ariko arubakwa kuri iryo shure. Mw'ijambo ry'ikaze, musitanteri wa komine Gihanga Léopold NDAYISABA, yamenyesheje ko ikomine arongoye itekanye mu bijanye n'amahoro n'umutekano, ingorane nyamukuru ni inzara igeramiye abenegihugu mu gihe ata na kimwe bashoboye kwimbura kuko imvura itigeze igwa muri iyo komine, ibitegwa bikaba vyarumye.





Musitanteri wa komine Gihanga akaba kandi yarakeje abenegihugu bariko barategera ingaruka mbi zo kunywa inzoga zitemewe n'amategeko intambwe nini ikaba yaratewe mu kurwanya ivyo binyobwa.

Mw'ijambo yashikirije, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal NYABENDA,yamenyesheje ko ari akaryo keza ku Bashingamateka ko kugendera abenegihugu muri buno buruhuko bw'ukwezi kwa mbere. Agarutse rero ku bihe vy'inzara ikomine ya Gihanga iriko iracamwo, Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yarabijeje ko Inama Nshingamateka izobama hafi kandi ko ataco izokora kugira ngo igume ibashigikira. Akaba yarabahaye impanuro ati ihindagurika ry'ibihe iyo rishitse, abantu bategerezwa kumenya ingene baca babaho, ati no mu bihugu vya Buraya babaho bisunga ihindagurika ry'ibihe, ati rero mu bihe vy'uruzuba,bige ingene bazohora bavomera imirima yabo bakoresheje amazi y 'inzuzi. Ikindi yabasavye n 'ukwitaho kurima imboga zo zama n'ingoga. Akaba yabasavye gushigikirana hagati yabo, asaba abifise gusumba abandi bafashe ababanyi babo bakenye,nk'uko vyamye biba mu Barundi kuva kera iyo hateye inzara. Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yaragarutse kandi kuri za ngingo zafatwa ku Burundi n'Inama Nshingamateka y'ibihugu vya Buraya kuwa 19 Nzero 2017. Akaba yarabeshuje ibivugwa muri izo ngingo ku Burundi, yongera ariyamiriza izo ngingo ata kindi ziba zigamije atari ugucafuza igihugu c'Uburundi n'inzego zikirongoye zitorewe n'abenegihugu. Ati mbega baturonderako iki ko atari ubwa mbere bashatse kuducanishamwo ariko vyabananiye. Ati igitangaje n'uko babikora batabanje no kuvugana n'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka z'Uburundi kugira ngo nabo bagire ico babivuzeko



nk'abaserukira abeneBurundi. Aca amenyesha ko Inama Nshinhamateka na Nkenguzamateka z'Uburundi nazo zasohoye itangazo ziyamiriza iyo nyifato. Inyuma y'ivyo bikorwa rusangi, Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yaciye aja muri segiteri Rugunga iri ngaho nyene muri komine Gihanga mu masite y'abataye izabo ya Muyange ya mbere na Muyange ya kabiri aho yatanze imfashanyo y'ibifungurwa ku miryango igeramiwe n'inzara gusumba iyindi. Vyose hamwe, akaba yabahaye amatoni abiri y'ibiharage n'amatoni abiri y'umuceri. Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yabamenyesheje ko abataronse batokwihebura kuko nabo nyene Inama Nshingamateka itabibagiye abemerera ko agiye kugaruka vuba abazaniye izindi mfashanyo.

**Arlette AKIMANA**

# UMUKURU W'INAMA NSHINGAMATEKA MU BIKOGWA RUSANGI MURI KOMINE YA MUSIGATI



Mu buruhuko barimwo, Abashingamateka n'Abakenguzamateka harimwo n'Umukuru w'Inama Nshingamateka batowe mu Ntara ya Bubanza barifadikanije n'abenegihugu bo muri Komine Musigati mu bikogwa rusangi. Mu bikogwa vyo kuwa gatandatu igenekerezo 14 Nzero Umwaka 2017 bacanga isima n'urukeceri vyo kubaka umushinge w'inzu y'amanama, ihoteri hamwe n'inzu y'ubuhinga bwanone vya Paruwase ya Musigati. Baregereje kandi amatafari bayakura aho yatuririwe bayajana ahazubakwa izo nyubakwa.

Ikomine ya Musigati rero gushika ubu nta nzu y'amanama canke ihoteri yarifise ngo zikaba zari inzitizi kw'iterambere nkuko Musitanteri w'iyo komine yabivuze.

Bulamatari w'Intara ya Bubanza Tharcisse NIYONGABO akaba yamenyeshejeko intara yose itekanye uretse ibice bimwe bimwe hibonekezamwo inzara yatewe n'uruzuba



rwinshi rwatse bituma imirima yuma. Akarorero yatanze n'ako mu Kigwati co Kumuyange muri Komine Gihanga aho abantu batatu bamaze kwitaba Imana bivuye kuriyo nzara. Ariko rero ngo hari ibindi bice vy'intara baronse umwimbu mwiza. Mw'ijambo yashikirije abenegihugu bo muri Komine Musigati, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakubahwa Pascal NYABENDA yarabashimiye kuba bitavye ivyo bikogwa ari benshi ngo kuko ninavyo soko ry'iterambere. Izo nyubakwa ngo ziriko zirubakwa zizotuma haba iterambere mw'ikomine hamwe n'intara mbere ngo n'igihugu cose.

Nyakubahwa Pascal NYABENDA yaciye abasigurira ingene Abashingamateka n'Abakenguzamateka bakora. Ati iyo mutatubonye ngaha si ukuvugako tuba twabahevye. Nyakubahwa Pascal NYABENDA yaciye abamenyesha ko bafise iyindi mirimo nko gutora amategeko mashasha hamwe no guhinyanyura ayandi mategeko yahahora. Mw'ijambo ryiwe kandi ku banyagihugu bo muri Komine Musigati yaragarutse ku nzara ivugwa mu bice bimwe bimwe vy'Intara ya Bubanza.

Kubijanye n'ibiganiro bihuza abarundi, Umukuru w'Inama Nshingamateka yavuzeko ivyavuyemwo ari vyiza ngo hasigayeko ivyasabwe n'abenegihugu murivyo biganiro bishigwa mu ngiro. Ivyo biganiro rero bitegerezwa gufasha mw'itegugwa ry'amatora yo muri 2020.



Mu guheraheza yateye akamo abahungiye hanze y'igihugu harimwo n'abanyepolitike gutaha mu gihugu c'amavukiro. Ariko ngo abakurikiranwa n'ubutungane bategerezwa gukurikiranwa n'ubutungane.

Inyuma y'ibikogwa rusangi, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakubahwa Pascal NYABENDA yaciye aja mu musi mukuru wo kwipfurizanya umwaka mushasha n'imvukira z'intara ya Bubanza.

**Florine MUKESHIMANA**

# UMUKURU W'INAMA NSHINGAMATEKA KUMWE N'ABAKRISTU BO MURI PARUWASE YA MUSIGATI

Ku w 'Imana genekerezo rya 15 Nzero umwaka w'2017, Nyakubahwa Pascal NYABENDA ari kumwe n'umutambukanyi wiwe, abatowe mu ntara ya Bubanza hamwe na Bulamatari w'iyo ntara barifadikanije n'abakristu bo kuri iyo paruwase mu gisabisho. Mu nsiguro y'inkuka y'imisa Patiri Mukuru wa Paruwase Musigati Georges NDAGIJIMANA yashimikiye kw'ijambo ry'Imana ryasomwe mu gisomwa ca kabiri canditswe na Paulo mweranda aho avuga indamutso y'amahoro. Patiri Georges Ndagijimana yasomye misa ati imico yaratitutse abarundi basigaye bataramukanya amahoro ahubwo bahana ibinoko. Yarashimikiye kandi no ku nkurunziza yanditswe na Yohani mweranda. Aho Yohani Umubatizi yabwira abakristu ko Yezu Umwana w'Imana ariwe soko ry'ubugingo. Mw'ijwi yumvise rivuye mw'ijuru rivuga riti Nguyu Umwagazi w'Imana. Ati twakire uwo Yohani Umubatizi atubwira, tumwakire mu mitima yacu atuzaniye amahoro. Ati ninaho tuzobana koko nk 'abana b'Imana aho kubana nk'udukoko two mw'ishamba. Inyuma y'imisa, Patiri Mukuru wa Paruwase Musigati yarabwiye Umukuru w'Inama Nshingamateka muri make imigambi ya Paruwase. Yaciye aboneraho akaryo ko gusaba Nyakubahwa Pascal NYABENDA ko yobashigikira. Iyo Paruwase rero ikaba ifise abakristu barenga ibihumbi bitanu igomba kwigisha abenegihugu imigambi y'iterambere, isuku ribashikana ku magara meza. Mw'ijambo yashikirije abakristu baraho, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakubahwa Pascal NYABENDA yashimikiye ubwa mbere ku nyigisho bumvise mw'ijambo ry'Imana hanyuma aca abatekerera impanuro. Yavuzeko abakristu ari umunyu n'umuco vy 'isi.



Ubwakabiri yaciye ashimikira ku ruhara ingo zogira mw'iterambere ry'ingo n'imiryango n'igihugu muri rusangi. Kubwiwe rero, inzitizi nyamukuru y'iterambere mu miryango n'uko hakora abantu bake hagafungura benshi. Aho rero Nyakubahwa Pascal NYABENDA Umukuru w'Inama Nshingamateka yaciye aha impanuro urwaruka. Yabahanuye ko bofasha abavyeyi mu bikogwa vyo mu mirima kuko ibikogwa vyo mirima ntabwo vyica impamyabushobozi baba bararonse canke ngo bifute ubumenyi baronse mu mashure. Ikindi yabahanuye n'ukwitaho ubworozi bw'ibitungwa bitobito kuko bifasha mu guteza imbere itunga ry'ingo. Nyakubahwa Pascal NYABENDA Umukuru w'Inama Nshingamateka yaciye ahimiriza urwaruka ko boreka kwishinga amaterefone ngendanwa ahubwo bagure ivyo bitungwa bito bito bibafasha kwiteza imbere. Mu guheraheza, Umukuru w'Inama Nshingamateka yaremereye umwambaro abaririmvyi 50 ba chorale ya Paruwase Musigati hamwe n'abakenyezi bari muri komite ntunganyabikogwa n'abasoma ibisomwa mw'isengero. Yemeye kandiko azobandanya gushigikira ibikogwa vya Paruwase.



**Florine MUKESHIMANA**

# UMUKURU W'INAMA NSHINGAMATEKA YARITAVYE IBIRORI VYO GUSHIKIRIZA ICESE PATIRI MUKURU WA PAROISSE KARINZI IRI MU NTARA YA BUJUMBURA

Kw'igenekerezo rya 7 Nzero uyu mwaka turimwo Le samedi 7 janvier 2017 abakirisu bo muri paroisse Karinzi iri muri komine Mutambu mu ntara ya Bujumbura bari baramutse bashikirizwa icese patiri mukuru w'iyo paruwasi,Patiri Severino Butoyi hakaba hari haheze amezi ane agenwe ,uri ayo mabanga na musenyeri wa dioseze ya Bujumbura Evariste Ngoyagoye . Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal Nyabenda akaba yari yagiye kwifadikanya nabo muri ivyo birori bidasanzwe.Ivyo birori bikaba vyari bihagarikiwe ni

Icegera ca musenyeri wa dioseze ya Bujumbura Musenyeri Anatoli Rugerinyange. Muri iyo nkuka ya misa musenyeri Anatole RUGERINYANGE yabanje gukora umugirwa katolika wo gushikiriza icese patiri mukuru mushasha wa paruwasi Karinzi . Nkuko uyo mugirwa usanzwe utegekanijwe, Patiri Butoyi Severino yagenwe ngo abe Patiri mukuru wiyo paruwasi, yaragaragaje ukwemera kwiwe imbere ya musenyeri n'abakirisu mu gusubiramwo igisabisho ca « ndemeye » ,igisabisho kirimwo ingingo ngenderwako za ekereziya katolika. Inyuma yivyo musenyeri Anatole Rugerinyange yaciye amushikiriza igitabu ceranda ,amushikiriza nigitabo kirimwo amategeko canonique yongera amuhereza n'imfunguzo z'ingoro y'Imana ikimenyetso cuko abaye Patiri mukuru bwzegu bw'iyo paruwasi ya Karinzi. Muri nkuka ya misa ,musenyeri Anatole RUGERINYANDE mu nyigisho yatanze yishimikije ijambo riri mu njiri nyeranda yanditswe na yohana ;aho yezu kirisu yahinduye amazi umuvinyu mugihe yari yatumiwe mu bugeni bw'ikana mu bugalile. Akaba yari kumwe na nyina n'intumwa ziwe ico kimenyetso akaba yagikoze abisabwe n'umuvyeyi wiwe bikira mariya kuko yari yabonyeko amazimano yabaheranye. Maze Yezu akora ibitangaza intango zose zaraho abasuku bazuzuza amazi zihinduka umuvinyu uryoshe cane kuruta uwahawe abatumire ubwambere. Musenyeri Anatole RUGERINYANGE akamenyeshako ivyo vyagenzuko kuberako abasuku bumviye ico umukama yezu yabasavye. Ati umukama abikiye ivyiza vyishi abana b'abantu ,ati n'ahabo kubirondera kuko nibo bafise urufunguzo rwa vyose .igikenewe gusa ni ukwubaha Imana ukayumvira uakurikiza amabwirizwa yayo gutyo umwana w'umuntu azoronka ivyiza vyose biva k'umukama. Uwurongoye inama nkuru ya paruwasi Rugazi yarashingiye intahe umubano mwiza uri hagati y'abapatiri n'abakirisu bo kuri iyo paruwasi. Ariko rero bakaba bafise ikibazo kijanye no kwubaka ingoro y'Imana iyo nyubakwa ikaba imaze gutwara amahera agera ku miliyoni amajana abiri z'amafaranga y'amarundi.Akaba yarasavye uwariwe wese afise ico yoterera kugira ngo bashobore kwuzuza iyo



nyubakwa igeze kurugero rwo gusakara. Mw'ijambo ryashikirije abakirisu baraho, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal Nyabenda yaragarutse kw'ijambo ry'Imana ryashikirijwe kuri uyo musi. Yagize ati igihe cose iyo habonetse ibibazo mu bantu canke nkiyo abantu batumvikanye kuri iki canke kiriya umugabekazi bikira mariya aravyitwararika agaca atubera umukandizi akabishikiriza umwana wiwze yezu kirisu nawe akagira ico akoze. Ikindi naco ati iyo yezu kirisu agize ico akoze caknke ico atanze ntatanga igice atanga ivyuzuye ico dusabwa ni ukumwumvira. Afatiye kuri iyo jambo ry'Imana ,yarabaremesheje kukibazo c'urwubako barimwo ati abazoshigikira ico gikorwa c'Imana bazoza baraboneka bukebuke kandi ntakekeranya ko ivyo umukama azobikora. Ati ifeza n'izahabu vyose n'Ivyimana ati ntihazobura ivyo kwubaka urushengero rwayo. Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal Nyabenda yasavye abakirisu bo muri paruwasi ya karinzi ko haruhande y'ubutumwa barangura muri ekereziya gatolika bokwitaho kandi n'ibikirwa vy'iterambere rusangi .Ati kwubaka amavuriro ,amashure n'amabarabara bizofashamw'iterambere ry'abenegihugu,abana babo ndetse n'urunganwe ruzokurikira .Yarongeye ati bizonateza imbere komine yabo igihugucabo ndetse no mu karere Ntiyibagiye no guhanura abakirisu kubijanye no kugira umubano mwiza hagati yabo babane amahoro kandi bongre bafashanye berekane akarorero keza mu kibano nk'abakirisu. Agarutse kubijanye n'urwubako barimwo ,Nyakwubahwa umukuru w'inama nshingamateka ,yarabaterereye imifuko mirongo itanu y'isima akaba kandi yamenyeshejeko igihe cose imana izomushoboza azogerura kuvyo yamuronkeje ashigikire ico gikorwza co kwubaka ingoro y'Imana Iyo nkuka ya misa yo gushikiriza icese Patiri mukuru wa paruwasi karinzi bikaba vyari vyitabwe n'imvukira z'intara ya Bujumbura ,abatowe muri iyo ntara ya bujumbura hamwe rero 'abagenzi biyo ntara.



**Providence NIKIZA**

# UMUKURU W'INAMA NSHINGAMATEKA YARAGENDEYE IBIHUGU VY'ABARABU

Muri urwo rugendo rw'akazi mu bihugu vy'abarabu kuva igenekerezo rya 23 nzero 2017, Umukuru w'Inama Nshingamateka nyakwubahwa Pascal NYABENDA ari kumwe n'abo bagendanye, barabonanye n'Umupfasoni Amal Al-Qubaisi , arongoye Inama Nshingamateka yaho. Nyakwubahwa Pascal Nyabenda yariganiye mu nca make abo bagendeye, ingene inama Nshingamateka y'Uburundi ikora , uwo Mupfasoni nawe akaba yaramubwiye uko

urwego arongoye narwo rukora . Abo ba nyakubahwa uko ari babiri , bakaba baciye bashira igikumu ku masezerano y'imigenderanire hagati y'inzego barongoye . Mu kiganiro Nyakubahwa Pascal NYABENDA yahaye



abamenyeshamakuru, yamenyesheje ko intumbero y'urwo rugendo ari ukugwiza abagenzi b'Inama Nshingamateka y'Uburundi n'ukuja kurahura ubwenge mu bisata bitandukanye. Nyakubahwa Pascal NYABENDA akaba yarabahaye akarorero k'ico gihugu co mu bugaragwa ariko abenegihugu bakabandanya baronka ivyo bafungura . Abenegihugu baho bakaba batunzwe no kuvomerera, ati ariko mu Burundi, iyo i,vura itaze amezi abiri canke atatu, abenegihugi baba batanguye kwihebura. Iyo migenderanire rero iyo ibaye, abenegihugu b'abarundi baca bahakura ivyigwa kugira babashe guhangana n'ibihe bigoye baba bashitsemwo.

Nyakwubahwa Pascal NYBENDA akaba yararonkeyeho n'akanya ko gutera akamo abagwizatunga b'abarabu kuzana imitahe yabo mu burundi canecane mu gisata c'Uburimyi.



Mu gushira mu ngiro ayo masezerano y'ubucuti n'imigenderanire, abo banyacubahiro uko ari babiri baciye bashiraho umugwi w'ubuhinga w'abashingamateka uzokwiga ibisata vyoshirwa imbere mu kurangura ivyo bazoba biyemeje.

Muguheraheza uyo mubonano, izo ntumwa zari zirongowe n'Umukuru w'Inama Nshingamateka y'Uburundi hamwe na nyakwubahwa Amal Al-Qubaisi ugushira hamwe kw'izo nzego uko ari zibiri mu gupfundika ingingo mu gihe c'ama nama mpuzamakungu.

**Pétronie BUCUMI**

## ICEGERA CA MBERE C'UMUKURUW'INAMA NSHINGAMATEKA YARITAVYE URUGANDA RWATEGUWE NA KAMINUZA Y'I NGOZI.

Ku musi wa kane igenekerezorya 5 Nzero 2017, Icegera ca Mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka Umushingamateka Agathon RWASA, yaritavye uruganda rwo kwigisha amahoro rwarirwateguwe na kaminuza y'i Ngozi. Urworuganda rwuguruwe n'Umuhuza w'Abarundi Nyakwubahwa Edouard NDUWIMANA rukaba rwari rwitabwe n'abarongoye abandi mu buzibutanduknye mu ntaraya Ngozi, abigishab'amakamin uzaatandukanye, abanyeshure, hamwerero n'abashingamatekabatowe mu ntaraya Ngozi, harimwo n'Icegera ca Mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka. Mw'ijambory'ikaze, Umuhanuzi mukuru wa Bulamatari w'intara ya Ngozi, yamenyesheje ko abajejweintwarobashimaibikorwabirangurwa na kaminuza y'i Ngozi, bagashima n'urworuganda yateguye rwokwigisha ivyerekeye ku bungabunga amahoro. Nayo Umuyobozi wa kaminuza y'i Ngozi, yamenyesheje ko Uburundibwahuye n'indyane zitarinke arinaco gituma kaminuza y'i Ngozi yiyumviriye kwigisha ivyerekeye amahoro n'ubumwe. Aca amenyesha ko muri ivyo vyigwa bafashwe mu mugongo na kaminuza y'i Colorado muri Leta Zunze Ubumwe za Amerika imaze kwigisha abigisha bane bakaminuza y'i Ngozi kuvyerekeyekubumbatiraamahoro, arinayo kandi



yarungitse umuhinga ajekwigisha muri urworuganda. Mw'ijamboyashikirije, Umuhuza w'abarundi Nyakwubahwa Edouard NDUWIMANA, yamenyesheje ko kwigishaamahorobiri muri bimwe mu bikorwa n'urwegorw'Umuhuzaa ricogitumayashimye cane kubona ko abahinga muzakaminuza batanguye kwitahokwigishakubumbatiraamahoro. Akaba yarateyeintegekaminuza y'i Ngozi muri icogikorwa c'iteka. Ati ubuhingabutegerezwakuzabwisungaineza y'isiyose. Yarongeyeatiurwarukarwo mu makaminuzarwarirukeneye cane izonyigishokukongorurashoborakuba abaremeshaamahoronk'ukorushobora kuba abayatosekaza, iyoruronseinyigishozitarizo. Ati ubuisiihura n'ingoranenyinshink'iterabwoba, ihindagurikary'ibihe, impunzi, bigasabarero ko urwarukahamwe n'abahingabo mu makaminuzabagirauruhara mu kubumbatiraamahoro. Aca asaba ko be n'izonyigishozoshigwa mu ntondez'ivyigwaz'ayandi makaminuza. Inyuma y'ibikorwavyokwugururaurworuganda, Icegera ca Mbere c'Umukuruw'InamaNshingamatekaakabayarahayeikiganiroabamenyeshamakuruahoyashimyeico gikorwa ca kaminuza y'i Ngozi cokwigishaamahoro. Ati arafiseicizere ko izonyigishozishoboraguhinduravyinshi mu mitima y'abazozikurikira, ati kuko zizobafasha kubona uruhara rw'umwumwe mu gukomezaamahoro n'umwumvikano ahoabaye. Akabayasavyeko be n' ivyovyigwa vyojabiratangwa no mu mashure yisumbuye.



**Arlette AKIMANA**

# UGUFASHANYA, UMWITWARARIKO WABATOWE





Ku munsi wa kabiri igenekerezo rya 31 nzero 2017, Icegera ca mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka Umushingamateka Agathon Rwasa yagize urugendo ku mutumba Butaganzwa muri komine Kiremba mu ntara ya Ngozi. Intumbero y'urwo rugendo ikaba yari iyo gukeza umuryango wibarutse ubushuri. Uwo muryango ugizwe naNicodème MBONIMPA se rugo na Léoncie NIBIGIRA batunzwe n'umwuga wo kurima, bararonkejwe n' icegera ca mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka agakemanyi kagizwe n'ibitenge, impuzu z'abana, ubureta hamwe n'ibifungurwa :imifuko 2 y'ibiharage in'imifuko 2 y'umuceri. Umushingamateka Agathon Rwasa akaba yarasabiye uwo muryango imigisha n' imihezagiro hamwe n'amagara meza kuri ivyo bibondo. Umuryango wa Nicodème MBONIMPA ukaba warashimiye icegera ca mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka kuri ako gakemanyi yabazaniye.

Twobamenyesha ko muri urwo rugendo Icegera ca mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka umushingamateka Rwasa Agathon yari kumwe n'Umushingamateka Olive NKUNZIMANA hamwe n'Umushingamateka Bernard NDAYISENGA

**Richard NDAYISENGA**

# ICEGERA CA KABIRI C'UMUKURU W'INAMA NSHINGAMATEKA YARAGIRISHIJE INAMA N'ABAKOZI BO MU BIRO VY'UMUKURU W'INAMA NSHINGAMATEKA

Nk'uko bitegekanijwe n'amategeko agenga Inama Nshingamateka no 130/PAN/012 ryo kuwa 16 ntwarante 2016,ibiro vy'Umukuru w'Inama Nshingamateka nivyo bikurikirana ibikorwa vyose vyo mu mu Nama Nshingamateka.



Ni muri iyo ntumbero Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka, Umushingamateka Jocky Chantal NKURUNZIZA,yagirishije inama abakozi bo mu biro vy'Umukuru w'Inama Nshingamateka,kw'igenekerezo rya 20 Nzero 2017, kugira amenye ingene ivyo bisata bisanzwe bitwarwa mu biro vy'Umukuru w'Inama Nshingamateka bikora. Uwo mubonano ukaba wari uwa mbere kuva aho Umushingamateka Jocky Chantal agiriye muri ayo mabanga.



Abasanzwe barongoye ivyo bisata bakaba bararonse akanya, umwe umwe, ko gusigurira abari muri iyo nama ivyo basanzwe bajejwe mu gisata cabo n'utugorane bahura natwo ndetse n'ukurabira hamwe umuti w'izo ngorane. Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka ati, ntivyoroshe gukurikirana ibikorwa vy'igisata kanaka utazi ico basanzwe bajejwe. Bisunze rero itegeko rigenga inama nshingamateka no130/PAN/012 ryo ku wa 16 ntwarante 2016,abarongoye ibisata bitandukanye barashikirije ivyo bajejwe. Utugorane rero bagira mu bisata vyabo tukaba dutandukanye ukurikije ivyo basanzwe barangura. Muri make, ugukarihiriza ubwenge abakozi no kuronswa ibikoresho vy'akazi, niho ibibazo vyose vyashikirijwe vyaguma bigaruka. Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka, Umushingamateka Jocky Chantal,akaba yarishuye ko ivyo bashikirije vyose bifise ishingiro.

Umushingamateka Jocky Chantal NKURUNZIZA ati vyinshi muri ivyo vyasabwe bisaba amafaranga atari make kandi ubutunzi bw'igihugu butameze neza. Akaba yasavye ko umwe wese yoba arakoresha neza uburyo afise kugira bashobore kurengera ibihe vy'ubukene. Yaheraheje iyo nama abamenyesha ko agiye kubishikana imbere kugira barabe ko botorera umuti hamwe ibibazo bimwe bimwe vyihuta .Akaba kandi yasavye igisata cose gutegura neza mu buryo buramvuye ivyo bashikirije.

**Pétronie BUCUMI**

# INAMA NSHINGAMATEKA NA NKENGUZAMATEKA YATANZE IMFASHANYO Y'IBIFUNGURWA KUBAHUNA BAHUYE N'URUZUBA MU NTARA YA KIRUNDO.

Amakomine atatu niyo yaragenewe izo mfashanyo.Trois c. Ayo nayo ni Busoni, Bugabira na Kirundo yibonekejemwo uruzuba rwinshi cane. Amatoni cenda yose y'umuceri n'ibiharage, umunyu,amasabuni,nivyo vyatanzwe ku miryango 45O bo muri ayo ma komine. Umuryango wose ukaba waronka ibiro 10 vy'umuceri, 10 vy'ibiharage, amasabuni, n'umunyu. Imiryango 150 kuri buri komine akaba ariyo yafashijwe. Ivyo bifungirwa vyavuye mu ntererano y'abashingamateka n'abakenguzamateka bagize impuhwe z'ukungene abo benegihuu babayeho kubera inzara yaturutse ku ruzuba muri iyi sizeni ya A. Mw'ijambo ry'ikaze, Bulamatari w'intara ya kirundo Melchior NANKWAHOMBA, ya menyesheje ko abenegihugu



babayeho nabi ariko kandi ko bashimishijwe n'iyo mfashanyo y'abo banyakubahwa abashingamateka n'abakenguzamateka kuri uwo mutima bagize. Aha akaba yagarutse kuntara zagiye ziregeranya imfashanyo zibarungikira, eka ndetse n'Umuryango wa Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu. Bulamatari w'intara ya Kirundo yaramenyesheje yongera arashingamangira ingingo yafashwe n'abarongozi yo kudasubira kugurisha umwimbu wabo wose kubantu bazoronka na dukeya bimbura.Yaranababujije gusubira gushora uwmimbu utarera ku badandaza nkuko bahora babikora. Aca amenyesha yuko n'ingingo zikomeye zizofatwa kuri uwo azobirengako. Mw'ijamabo ryiwe yashikirije abenegihugu bari aho, Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka Jocky Chantal



NKURUNZIZA yaramenyesheje yuko baje kwifadikanya nabo muri bibi bihe barimwo bidasanzwe. Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka ntizari kwirengangiza amarushwa y'abanegihugu nkuko yabandanije abimenyesha, ati mu bihe nkivyo abantu bakwiriye gufashanya aca atera akamo abo batashikiwe nivyo vyago ko bofasha abanyakirundo. Icegera ca kabiri c'Umukuru w'inama nshingamateka yaranatanze n'impanuro abo benegihugu. Yabasavye gutera ibiterwa vyera ningoga, ariko kandi abasaba gutera cane cane ibiterwa birinda izuba nk'ibijumbu, imyumbati, ect.. nugukomeza uturima two mu gikoni aho bashobora gutera imboga n'ibindi.

**Gabby BUGAGA**

# ICEGERA CA KABIRI C'UMUKURU W'INAMA NSHINGAMATEKA YARATUNGANIJE INAMA KU BAKOZI BA LETA BARANGURIRA IMIRIMO YABO MU NTARA YA RUYIGI.

Umuyagankuba ukwiragiye mu makomine yose y'intara ya Ruyigi, kwubaka amabarabara, ibitarurwa n'amashule y'imyuga, ivyo ni vyo vyifuzo vy'abenegihugu bo mu ntara ya Ruyigi bashikirije Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka ku munsi wa gatanu, igenekerezo rya 13 Nzero 2017. Hari mu nama yabereye muri zone ya Kayongozi yo muri komine ya Bweru, aho Umushingamateka Jocky-Chantal NKURUNZIZA, aherekejwe na bagenziwe b'Abashingamateka batowe muri iyo ntara, yatunganije ku bakozi ba Leta barangurira imirimo yabo muri ako karere. Umutekano ngo ni wose muri iyo komine ya Bweru, kiretse ubusuma bwiboneza mu ngo no mu mirima, inzoga zibujijwe n'amategeko n'ingeso yo kwubaka bidaciye mu mategeko no guharika bitotekaza uyo mutekano, nkuko musitanteri w'iyo komine yabishikirije mw'ijambo ryiwe ry'ikaze. Venantie NADENDE yabandanije asaba umuyagankuba, mu gihe iyo komine ihiriwe ihishije kuko isanzwe ifise urugomero mu Kayongozi. Ku ruhande rwiwe, Buramatari w'intara ya Ruyigi yaboneyeho kumenyesha abenegihugu umugambi ugiye gushirwa mu ngiro muminsi ya vuba werekeye kwubaka ibiro vy'intara…..yasavye akigoro kuri uwariwe wese mu ntumbero yo kurangura uwo mugambi,naririya ivyo biro ari umurima w'isangi. Mw'ijambo yashikirije, Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yarahamagariye abenegihugu kubumbatira amahoro n'umutekano mu ntumbero yo kurangura imigambi bishinze izobashikana kw'iterambere rirama. Umushingamateka Jocky-Chantal NKURUNZIZA yabahimirije kandi kwishukira ibiterwa vyimbuka mu mwanya muto, be n'igiterwa c'imboga mu ntumbero yo guhangana n'ikiza c'inzara. Uyo mushitsi w'iteka yabahanuye kandi gukingira ikibira no gutera ibiti ku misozi. Yatumiriye kandi abenegihugu bo mu Ruyigikwakira benewabo batahuka bava mu buhungiro mu gihugu kibanyi ca Tanzaniya. Yasozereye ababutsa kuvyara ku rugero ku neza y'imiryango yabo. Abashingamateka



nabo nyene bararonze akaryo ko guhanura abenegihugu ngo barwanye ubunebwe, akaborerwe n'ibihendamaso, vyo soko y'ubukene. Umushingamateka Egide NGERAGEZE wewe yabahanuye kwamiza kumuzirikanyi icivugo kivuga ko umunywa wose utegerezwa kuronka ico ufungura. Yabandanije yerekana ko mu ntumbero yo gushikira iryo hangiro, umwe wese ategerezwa gukora yitwararika kandi guhangana n'ihindagurika ry'ikirere ryibonekeza miri ino minsi. Nayo kubijanye n'amabarabara, ngo akwiye gutunganywa mukiringo c'ibikorwa rusangi. Umuyobozi w'indero ku rwego rw'intara, nawe, ntiyatanzwe gushikiriza intambanyi zibonekeje muri ico gisata. Yatanze akarorero k'abigisha badakwiye n'igikorwa co gukwiragiza abigisha hagati mu gihugu kitagenze neza. Yaragarutse kandi kw'itangazo ryo mu Bushikiranganji bujejwe indero butumirira abavyeyi kwandikisha abana babo bayobewe ikibazo ca Leta mu ntumbero yo gusubiramwo icokibazo muri uyu mwaka w'ishule.
Mu gisata c'uburimyi, abenegihugu baridogera abigisha



b'indimo ko batabagendera bikwiye, kugira babereke ubuhinga bugezweko mu burimyi, bongere babahe n'akarorero. Inyuma y'iyo nama, Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yaciye agendera ikigo c'abagiraneza kiri i Kayongozi, citiriwe Umweranda Fransisiko w'i Assise. Ico kigo gitunze abantu bagera ku 240, harimwo abasaza, urwaruka rugendana ubumuga n'abarwaye imibembe. Mw'ijambo ryiwe, Umushingamateka Jocky Chantal NKURUNZIZA, yarakeje ivyo umwihariko uwatanguje ico gikorwa c'ikigongwe, aca atako abemerera kuzobama hafi muvyankenerwa, kanatsinda, ngo bari mu benegihugu aserikira. Mu ntumbero yo kubifuriza umunsi mukuru wa Noheli n'umwaka mushasha, yarabashikirije akaganuke kagizwe n'umuceri, impuzu z'abana, ibitenge, ibirengeti, amasabuni yo kumesura n'amasuka.

**Pétronie BUCUMI**






# INAMA NSHINGAMATEKA

**UMUKURU W' IYANDIKIRO**
**Providence NIKIZA**

**ABANDITSI**
**Florine MUKESHIMANA**
**Arlette AKIMANA**
**Pétronie BUCUMI**
**Gabby BUGAGA**
**Christine NAHIMANA**

**AMASANAMU**
**Richard NDAYISENGA**


**Palais des Congrès de Kigobe**
B.P 120 Bujumbura - Burundi Tél: (+257) 22 26 70 55 / (+257) 22 26 70 07